# *BURUNDI*: INTWARO RUSANGI IZINGAMYE

## KUVA MURI RUHESHI 2020, INGINGO ZAFASHWE NTIZIKWIYE KUGIRA INTWARO RUSANGI ISIMBATARE

### *IBINYAMAKURU*

***Ibohorwa rishemeye ry' abamenyesha-makuru (ariko ubutungane butemeje ko bafashwe kandi bagafungwa bidaciye mu mategeko) no gukuraho ibihano ku binyamakuru bimwe bimwe***



### *ARIKO*

Gucira urubanza abaserukira ibinya-makuru bimwe bimwe n'abamenye-shamakuru bari mu buhungiro

Ihohoterwa n'iterabwo-ba ry'abamenyesha-makuru ryamaho

Abamenyashamakuru birinda kuvuga ibinyuranywe n'imvugo y'ubutegetsi, ubutegetsi butihanganira abahanu-ra Leta canke abatanga amakuru ashobora kubakwegera nko kuvuga ivyerekeye ibitero bihungabanya umutekano canke ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu

### *ABAHARANIRA AGATEKA KA ZINA MUNTU*

***Kubohora abaharanira agateka ka zina muntu***



### *ARIKO*

Amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu yigenga ntiyemerewe gukora

Urwanko n'ukurwanya imigwi yigenga iharanira agateka ka zina muntu biracabandanya

Kuzitira ntangere imigwi iharanira agateka ka zina muntu ; mu gushiraho urugero ku mutahe bakoresha mu kazi kabo no mu gutegeka amashirahamwe ategamiye Leta y'abanyamahanga igitigiri c'abantu b'amoko runaka bashobora gukoresha

### *IMIGAMBWE ITAVUGA RUMWE N'UBUTEGETSI*

Irabuzwa birengeye urugero uburenganzira bwabo bwo guhura ; naho bitangana no mu gihe c'amatora

Ubwicanyi ndengerabutungane, inyuruzwa n'izimanganywa, ihagarikwa no gutabwa mu mvuto binyuranywe n'amatege-ko, ugusinzikazwa n'ugufatwa bunyamaswa bw'abatavuga rumwe n'ubutegetsi, cane cane abanywanyi ba CNL

Ukutihanganira abatavuga rumwe n'umugambwe uri k'ubutegetsi n'imvugo zitera kubanka bikibandanya ; naho muri rusange ivyaha bifatiye kuri politiki vyagabanutse

> ***Uwubabajwe n'ivyo yakoreye Uburundi n'Abarundi, ni umwe yiziziwe na sekibi gusa; ata kindi kimuraza ishinga atari ikibi***
>
> *(Vyavuzwe n'umukuru w'igihugu Ndayishimiye mw'ijambo ry'umusi wo gusozera ikigandaro c'umuhisi Perezida Nkurunziza no ku munsi wo gukunda no gukundisha igihugu kw'itariki 8 Ruheshi 2021)*

Vyakozwe itariki: 16 Nyakanga 2021

N'umugwi utohoza ivy-i Burundi, https://www.ohchr.org/FR/HRBodies/HRC/CoIBurundi/Pages/CoIBurundi.aspx